REPUBULIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

IJAMBO RYA NYENICUBAHIRO

UMUKURU W'IGIHUGU KU MUSI TURAMUTSE

DUHIMBAZA IMYAKA 49 IRANGIYE TURONSE

INTAHE Y'UKWIKUKIRA.

Bujumbura, igenekerezo rya 01 Mukakaro 2011.

Barundi, barundikazi,

Ncuti z'uburundi,

1. Tubanje gushimira Imana Rugiravyose yaduhaye gushika kuri uyu musi aho twibuka imyaka 49 irangiye Uburundi buronse intahe y'ukwikukira ku wambere Mukakaro umwaka w'1962.
2. Turipfurije rero abarundi mwese, umusi mukuru mwiza, mugire w'akanyamuneza, twashimye guhimbaza kuri iki civugo: **" Dutsimbataze umutekano no gusubiza hamwe mu kwijukira ibikorwa, ni yo nkingi irashe yo gukomeza intahe y'ukwikukira".**

Barundi, Barundikazi,

Ncuti z'Uburundi,

3. Mu mwaka w'1896, ni ho abazungu b'abadagi baza i Burundi. Abarundi barageraageje kunana ariko bararushwa, kugeza aho mu 1903 haterwa igikumu ku masezerano y' i Kiganda, umwami Mwezi Gisabo akemerana ko Uburundi burongorwa n'abadagi. Intwaro ya gikoroni iba iratanguye. Nayo ku va mu 1916, havuye abadagi, haza ababirigi.
4. Agakengerwe, ukutagira ijambo mu gihugu cawe, n'ibindi bikorwa bibabaje vyakorwa n'abakoroni vyacura bufuni na buhoro abarundi, ni vyo vyatumye abarundi isinzi barengerwa batangura guharanira intahe y'ukwikukira.

Ntivyari vyoroshe, ariko, barongowe n'umuganwa Ludoviko Rwagasore baratsinze amatora yo ku wa 18 Nyakanga 1961, bitorera ukwikukira kudatevye kw'Uburundi.

5. Ni uko rero, ku wa 1 Mukakaro 1962, Uburundi burashikirizwa intahe y'ukwikukira. Kari akanyamuneza kenshi ku barundi, naho agahinda katari kabuze kubona umuganwa Ludoviko Rwagasore yari yagandaguwe ku wa 13 Gitugutu 1961, banamukurikiza abana biwe harimwo n'uruyoya.

6. Ng'iyo rero ya ntahe y'ukwikukira irabonetse, bwa burenganzira bwo kwitunganiriza ivy'igihugu nk'abarundi turabusubizwa. Hari hasigaye kubungabunga no gukomeza iyo ntahe y'ukwikukira. None twarabikoze ?

Barundi, Barundikazi,
Ncuti z'Uburundi,

7. Kuba Intwari nka Rwagasore atabaye ariwe arongora Uburundi yarahejeje kuronkera intahe y'ukwikukira, vyarasize imvune nini bituma inzego zaciye zirongora igihugu zigoyagoya.
8. Amacakubiri y'amoko, y'intara, indyane mu banyeporitike biratsimbatara, haba ubwicanyi butagira urugero, mu 1961, 1965, 1969, 1972, 1988, 1991, abantu basigara bibaza, bati : « Ubwo hari bwagere ko Uburundi bwikukira ? » Haca haba gukurana ku butegetsi (coups d'Etat) ku gikenye canke ku mayeri.

9. Ariko, mu 1992, harabonetse akaryo ku Barundi ko kwerekana ko bikukiye aho bonyene bitorera ibwirizwa Nshingiro ryerekana uko bipfuza kurongorwa.

Mu mwaka w'1993 naho, baca barerekana aho bahagaze mu matora ya demokarasi, barishingira inzego, baratora n'abazirongora kiba ikimenyetso gikomeye ko ya ntahe y'ukwikukira itagiye akagirire.

10. Ariko, budakeye na kabiri, abarundi basigaye baribaza nimba intahe y'ukwikukira yaronswe n'abanyepolitike atari iy'abarundi bose.

Kukaba nkako, kuva ku wa 21 Gitugutu 1993, Umukuru w'igihugu, Nyenicubahiro Melikiyori Ndadaye yari yitorewe amaze kugandagurwa bunyamaswa, indyane zikaba ndanse, intambara igasutama, inganda zirasasikwa, amaganya n'amarira bikaba arivyo vyiganzira igihugu, abenegihugu ntibasubiye kuronswa ijambo.

11. Abanyeporitike baciye baja mu vyabo no mu biganiro, bashinga amasezerano avuguruza ivyavuye mu matora kandi asubirira ibwirizwa Nshingiro ryari ryishiriweho n'abanyagihugu.

12. Twahabonye amakungu, aradufasha kwisanasana mu biganiro vyavuyemwo amasezerano y'i Arusha nayo guhagarika intambara, yose akaba yashize imbere intwaro ya demokarasi, ishingiye ku kwubahiriza iry'abenegihugu baba bashinze, no gushinga inzengo z'umutekano, iz'ubutungane n'intwaro zihurikiyemwo abaserukira abarundi bose.

Barundi, Barundikazi

Ncuti z'Uburundi,

13. Turashima ko hari intambwe tumaze gutera mu bijanye no gukomeza intahe y'ukwikukira, biciye mu kwubahiriza inzego abenegihugu baba bashinze. Nkako, ni ubwa mbere aha iwacu inzego zatowe n'abanyagihugu zirangiza ikiringo zatorewe, zigasubirizwa biciye mu matora. Hari icahindutse rero, kandi aha turakeje abarundi bose.

Natwe turabemereye icese ko tutazokwigera dufata ingendo yo kugira ibiganiro bivuguruza abenegihugu, naburya twabonye ko aho bigeza igihugu n'abanyagihugu ari mu marira n'amaganya. Ivyo abanyagihugu bashitseko mu matora, tuzoguma tuvyubahiriza ata guhigimanga.

14. Twarakoze ibiganiro bitari bike biha ijambo abanyagihugu, tudasize inyuma abanyepolitike. Aha twovuga ibiganiro vyaha ijambo abarundi ngo bavuge uko babona igihugu corongorwa, ibiganiro bijanye na poritike yo kwegereza ubutegetsi abanyagihugu, ibijanye n'umugambi wa mbere n'uwa kabiri wo kurwanya ubukene, umugambi w'igihugu wo kurandurana n'imizi ingeso y'ibiturire no gusesagura ubutunzi bw'igihugu, ibijanye n'aho abanyagihugu bahagaze ku bijanye n'ubutungane bw'inyuma y'intambara, integuro z'amabwirizwa amwe amwe nk'irigenga amatongo, irigenga ibidukikije, irigenga imigambwe, irigenga amashirahamwe yigenga, irigenga amadini , n'ibindi.

15. N'ubu tuzobandanya duha ijambo abanyagihugu bo mu bice vyose vy'ubuzima bw'igihugu, tudasize inyuma imigambwe, amadini, amashirahamwe yigenga, n'abandi,.. ku bibazo vy'igihugu, nko gusubiramwo ibwirizwa nshingiro, ivyo gushinga inzego z'ubutungane bunywanisha.

16. Tuboneyeho n'akaryo ko gutera akamo abanyeporitike bari hanze ngo batahuke, baze dusangire ijambo n'ikiyago, twubakire hamwe igihugu, mbere banitegurire amatora yo 2015, baronke intsinzi bayikoreye. Ariko, nk'uko twabivuze, abo tuzoganira bose, bazokwibuke ko badasubiriye abenegihugu, ko badasubiriye inzego. Ivyipfuzo bizovamwo tuzobicisha mu nzego zibijejwe no mu nzira zizwi, kandi zitegekanijwe n'ibwirizwa nshingiro abanyagihugu bitoreye.

Barundi, Barundikazi,
Ncuti z'Uburundi,

17. Mu gukomeza iyo ntahe y'ukwikukira, abarundi n'ababa mu Burundi dutegerezwa kuvira hasi rimwe tugahagararira amahoro n'umutekano wacu.

18. Turashima uko umutekano wifashe mu gihugu naho ata vyera ngo de. Umutekano ni igikorwa co guhozako imisi yose, mu bihugu vyosc, kuko hari abagifise agatima ko gukamisha umutekano muke, bavuga bati « Ikiza kitaguhitanye kiraguhitaniza ».

Ariko aho hari kera, kuko amase ya kera ntagihoma urutaro, kandi intabarirwa ibwirwa n'uko amaso atukuye.

19. Turashima kandi turanezerezwa n'intambwe intara ya Bujumbura ishitseko inyuma y'aya mezi abiri twari twihaye yo guhagurukira ikibazo c'umutekano muri iyo ntara.

Kukaba nkako, uretse ko ubwicanyi, ubusuma n'ubundi bugizi bwa nabi bwagabanutse, hari ibindi bimenyetso ~~bidahendana,~~ bigaragaza iyo ntambwe. Ni ivyo mwakwirikiranye kandi mwiboneye. Turashimiye abo bose bitanze kugira dushike kuri iyo ntambwe nziza. Ubu naho tugiye kumara imyaka itatu yo guhagurukira iterambere rusangi, kuko navyo bijanye no gutsimbataza umutekano muri iyo ntara nkuko babidusavye.

20. Ivyo vyose tubikesha ubwira n'ubwitonzi bwaranze inzego z'intwaro, iz'umutekano, iz'ubutungane n'abanyagihugu, bagize urunani bagakorana ijoro n'umurango.Turabateye akamo ngo bakomeze urwo runani rwiyongeyeko abashingamateka n'abakenguzamateka batowe muri iyo ntara. Ubutungane bukore kurusha, bwirinde kurekurira mu banyagihugu inkozi z'ibibi ziba zafashwe, cane cane izafatanywe itonga.

Ababikoze nabo bahanwe mu gihe bigaragaye ko babikoze bariye imanza kandi bamenye ko nabo hazogera aho bazobazwa abishwe aribo babarekuye.

21. Ariko turababazwa n'abantu bamwe bamwe umengo barashavujwe n'ukubona umutekano uriko uratsimbatara muri iyo ntara. Ni bateshwe bate, bihanure kuko abanyagihugu bo mu ntara ya Bujumbura baramaze guhitamwo neza igisumba ikindi, kandi tubamenyesha ko ineza yama itsinda inabi, burakeye tuvyibonere.

22. Mu bindi bituma umutekano uhungabana mu gihugu, hari cane cane indyane z'amatongo. Kugira tugabanye izo ndyane, itegeko rigenga amatongo ririko rirahinyanyurwa. Iryo rero rishigikiwe n'umugambi wo guhimiriza kuvyara abo dushoboye kurera, rikazoba mubizofasha gutsimbataza amahoro n'umutekano.

Barundi, Barundikazi,
Ncuti z'Uburundi,

23. Urwo runani rw'intamenwa ni rwo rwadushikanye kuri iyo ntahe y'ukwikukira, kandi Iki ni icigwa gihambaye kitwereka ko dushize hamwe, tukijukira ibikorwa, dushobora gushika ku co twipfuza kiduteza imbere, kigateza imbere n'igihugu cacu.

24. Intambwe abarundi dushitseko rero ubu irashimishije, kuko tumaze kumenya ko ari twebwe dutegerezwa gutegura kazoza keza k'igihugu cacu. Ingo rero tugiture amaboko, umutima n'ubuzima nkuko ururirimbo ruhayagiza igihugu rubiduhamagarira, gurtyo dushigikize ibikorwa iyo ntahe y'ukwikukira.

25. Rabe namwe amashure, amavuriro, ibitaro, kaminuza, amasengero meza meza, ibibuga vy'inkino n'amabarabara meza twiyubakiye mu bikorwa rusangi, imiliyoni n'imiliyoni z'ibiti n'ibiti vy'ivyamwa twateye, ivyo vyose tutarinze gusaba imfashanyo ibindi bihugu.

Ni bimwe mu turorero twiza two kurata kandi biduhesha icubahiro mu makungu, bikongera kandi bigashigikira intahe yacu y'ukwikukira, kuko bituma igihugu Imana yaduhaye nk'umurima rusangi kibandanya kuba ciza.

26. Ivy'ibikorwa rusangi twoshaka twobikomeza kurusha, tukagabanya kwama duteze amashi amakungu nayo ubu ari mu bibazo, aho hari indongozi muri ivyo bihugu zitanguye gusaba amaleta yaho kudafasha ibihugu bikenye, kubera nabo bugarijwe n'igihuhusi cagabanije ubutunzi bwabo, kikongereza ubushomeri.

27. Turakengurukiye rero abitaho ibikorwa rusangi, nkako ni bimwe mu bizotuma wa mugambi wacu w'uko mu 2020 Uburundi butazoba bukiri ku rutonde rw'ibihugu bikenye ushoboka, ushitswa. Ivyo bikorwa ahatari hake kw'isi vyaratumye ibihugu nka Koreya yo mu bumanuko, Ubushinwa, n'ibindi bihugu vyahora bikenye bishika aho bigeze kwitwa ibihugu rutura mw'iterambere.

28. Ibi bidusaba kandi rero gukomeza intwaro ibereye mu kurwanya abarya ibiturire n'abasesagura ubutunzi bw'igihugu.

Twarabitangaje ko ata kwihanganira na gato abamunzwe n'ingeso nk'izo kandi turabona ko inzego zijejwe gutuza ba kaboko ziriko zirakora, n'amakungu akaba atanguye kubibona, Uburundi bukaba buheruka gutorwa nk'icicaro c'ishirahamwe ry'inzego nyafrika zo kurwanya igiturire.

Aha rero turakebuye ngo ntihagire abigira Samandari ngo bakinire poritike muri urwo rugamba twatanguye. Nibadufashe nyabuna kururwana neza, kuko imigere ibiri idatereka.

29. Ntayindi nzira, dutegerezwa rero guhinduka, duhindure n'ingendo mu kazi no mu migenzo yacu, dushire imbere ibikorwa n'akazi gakozwe neza kandi uwakoze neza abishimirwe, uwakoze nabi ahanwe n'amategeko. Dusubire ku ngendo y'igihugu kigendera ku mategeko atari iy'akajagari twahitiyemwo ataco yatumariye.

30. Dukore rero twivuye inyuma, turwize umwimbu, duhangane n'ihindagurika ry'ibiciro, naryo hari aho riva kw'iduzwa ry'ibidandazwa kw'isoko mpuzamakungu canke ku mwimbu muke mu gihugu cacu no mu bindi bihugu hirya no hino kw'isi.

31. Ibibazo dutegerezwa guhangana si ivyo gusa. Hari n'ikibazo c'ubushomeri, ikibazo c'itunganwa ry'imishahara, ivyo vyose bikaba biriko birigwa muri Leta, dufadikanije n'incuti n'abadufasha.

Barundi, Barundikazi,

Ncuti z'Uburundi,

32. Intahe y 'ukwikukira izokomera kandi ari uko agateka ka zina muntu kubahirijwe, ingeso yo kudahana ivyaha nayo ikaranduranwa n'imizi, bisigura gukomeza no kunagura inzego z'ubutungane, ivyo navyo birafata umwanya.

Ni co gituma haherutse gushingwa umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gukwirikirana ivy'agateka ka zina muntu mu Burundi.

Turakeje abizigiwe ngo bawujemwo, tubasaba gukorana ubwira n'ubwitonzi kugira haboneke akarusho kandi tubandanye dutsimbataza intambwe tugezeko mu vy'amahoro n'umutekano.

Turakebuye abari bigize intumva mu guhungabanya agateka ka zina muntu, ni bavavavanure n'ako kabi, kuko uwo mugwi urikwiye, uzobashengeza kandi uzobahasha.

33. Tuzotsimbataza kandi intahe y'ukwikukira ni ~~abarundi twese~~ twasubiza hamwe tukarekuriranira. Ni co gituma tugiye gushiraho za nzego z'ubutungane bw'ibihugu bivuye mu ntambara.

Umurwi utegura ivyokwisungwa twaramaze kuwushiraho, icegeranyo tukazokiyaga n'abandi , baba abanyeporitike, abo mu mashirahamwe yigenga, abihebeye Imana, amashirahamwe mpuzamakungu, hanyuma ivyiyumviro bivuyemwo bice muri Leta, bije mu nama nshingamateka na nkenguzamateka. Ntawuzokumirwa.

Ni n'akaryo turonse ko guhanura abarundi ngo bagumye umutima mu nda kuko ico gikorwa c'iteka ku Burundi kizoranguka nkuko twaciyemeje ku neza ya bose, ariko kandi mwirinde abangushi ata kindi barota atari kujuragiza no guhuvya abanyagihugu.

Barundi, Barundikazi,
Ncuti z'Uburundi,

34. Nitugendere intahe y'ukwikukira, kandi twibuka incungu y'ukwikukira Umuganwa Ludoviko Rwagasore, n'izindi ncungu z'igihugu zizwi n'izitazwi.
Tumenye kandi tuzirikane ururirimbo ruhayagiza igihugu cacu, tutibagiye n'uruhayagiza ishirahamwe ry'ibihugu vya Afrika yo mu buseruko.

35. Turashimiye amakungu adufasha kurangura imigambi ya Leta, mbere no mu bihe bigoye twagiye turacamwo kuva twikukiye gushitsa ubu akaba yaratugarukiyeko.

36. Turahamagariye urwaruka ngo rwiyumvire kandi rutegure kazoza karwo, rushire imbere ibikorwa, ruvavanure n'ubunebwe, rwubahirize n'imico myiza y'igihugu cacu, gurtyo rukomeze intahe y'ukwikukira mu kugira urunani rw'intamenwa.Ni mube incabwenge, mukerebuke, murangwe n'ubutwari n'ubuhizi.

37. Dusubiye kubipfuriza umusi mukuru mwiza w'ukwikukira, muwuhimbaze muzirikana iki civugo. « **Dutsimbataze umutekano no gusubiza hamwe mu kwijukira ibikorwa, ni yo nkingi irashe yo gukomeza intahe y'ukwikukira** ».

Niharambe ukwikukira kw'Uburundi,
Nihashemezwe ubutwari mu gihugu cacu,
Imana ibahezagire, Murakoze.